Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°814 01 Rusama 2024

# Yezu araza, ahagarara hagati yabo, ababwira ati: «Nimugire amahoro» (Luka 24,36)

Inyigisho y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi ku musi w'Imana ugira uwa gatatu wa Pasika



Foto yo mu bubiko

Yezu araza, ahagarara hagati yabo, ababwira ati: «Nimugire amahoro!» (Lk 24,36)

Bavukanyi dusangiye ukwemera, na mwe mwese Imana ikunda mukayikundira,

1. Twebwe Abungere b'Ekleziya Gatolika, turabipfurije amahoro Umukama wacu Yezu Kristu yaduciriye, mu gutsinda

Soma ku Rup. 3

# Naje kugira ngo intama zironke ubuzima



Foto yo mu bubiko

*Naje kugira ngo intama zironke ubuzima, kandi ubuzima bwuzuye. ( Yohani 10,10)*

Muri Ekleziya no mu gihugu, kuronka abakurambere bacira umugani abana, abuzukuru n'abuzukuruza n'iteka ntangere. Ni vyo umukurambere wacu Nyenicubahiro Museyeri Simoni Ntamwana Umwepisikopi w'Inararibonye mu karuhuko k'ubutama i Gitega yayagiye abasomyi b'ikinyamakuru Ndongozi y'Uburundi mu kiganiro yahaye abanditsi baco muri uno mwaka ari mu kanyamuneza k'imyaka 50 y'ubusaseredoti.

Soma ku Rup. 2

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ibirimwo

o Umusi udasanzwe wahariwe indero mu mashure muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura........7

o Iterambere ni iki?........8

o Umugwi CVR bati: « Kuvuga kenshi ku vyabaye biraruhura imitima yatu ntuye»........9

o Uburenganzira bw'abakozi bwo kuruhuka........10

# Idominika ya gatandatu ya Pasika : *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: Ibik. Vy'Abat. : 10, 25-27.34-35.44-48

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa :

*(Mutima Mweranda yururukira ku bapagani)*

Petero ashika i Sezareya kwa Korneliyo, Korneliyo aca aja kumusanganira, arapfukama, amukurira ubwatsi. Petero aramuhagurutsa ati: «Va hasi ndi umuntu nkawe.» Petero na we asama ijambo ati: «Ni ivy'ukuri ndemeye yuko Imana itagira nkunzi, yuko mu makungu yose uwuyubaha kandi agakora ibitunganye ari we ishima.»

Petero akiriko aravuga Mutima Mweranda yururukira ku bariko baramwumviriza. Abemeye bo mu bagenyerewe bari baherekeje Petero barajorerwa mu kubona Mutima Mweranda ashwara abapagani, kuko babumva bavuga indimi batahora bazi kandi bakaninahaza Imana.

Petero asubira kuvuga ati: «Hari uwokwanka kubatiza abo bantu baronse Mutima Mweranda nkatwe?» Aca ategeka kubabatiza kw'izina rya Yezu Kristu. Baraheza bamusaba ngo bamarane imisi.

## Igisomwa ca kabiri: Yohani: 4, 7-10

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere ry'Umutumwa Yohani:

*(Imana ni rukundo)*

Bakunzi banje:
Nimukundane kuko urukundo ruva ku Mana, kandi uwukundana wese yavyawe n'Imana kandi aramenya Imana. Uwudakundana ntiyamenye Imana, kuko Imana ari Rukundo.

Ng'iki icagaragaje urukundo rw'Imana muri twebwe: ni uko Imana yarungitse Umwana wayo w'ikinege kw'isi, kugira ngo tube bazima ku bwiwe. Ng'iki ikigira urukundo: si uko ari twebwe twakunze Imana, ariko ni uko ari yo yadukunze, ikarungika Umwana wayo kuba iciru c'ibicumuro vyacu.

## Inkuru nziza : Yohani : 15,9-17

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Uwunkunda azozigama ijambo ryanje; na Data azomukunda, duheze tuze iwe."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani :

*(Ntawushobora kurusha urukundo uwiguze abagenzi biwe)*

Mu gihe yari mu kuva kuri iyi si ngo asubire kwa Se wiwe, Yezu yabariye abigishwa biwe, ati: "Uko Dawe yankunze, ni ko nanje nyene nabakunze. Nimugume mu rukundo rwanje. Nimwazigama amabwirizwa yanje, muzoguma mu rukundo rwanje, nk'uko nanje nyene nazigamye amabwirizwa ya Data nkaguma mu rukundo rwiwe.

Nababwiye ivyo, kugira ngo akanyamuneza kanje kabe muri mwebwe bwite, maze akanyamuneza kanyu kuzure. Ng'iri ibwirizwa ryanje: Nimukundane nk'uko nabakunze. Nta wushobora kurusha urukundo uwiguze abagenzi biwe. Muzoba abagenzi banje, mukoze ico ndabategetse.

Sinkibise abasuku, kuko umusuku atamenya ico shebuja akora; nabise abagenzi banje, kuko ivyo nabwiwe na Data vyose nabibamenyesheje. Si mwebwe mwantoye; yamara ni jewe nabatoye, nabashinze kugenda ngo mwame icamwa kandi icamwa gihoraho, kugira ngo Data abahe ico muzomusaba cose kw'izina ryanje. Ico ndabategetse ni uko mwokundana.

# Naje kugira ngo intama zironke ubuzima

*(Bitangurira ku rup.1*

1. Nyenicubahiro haraheze imyaka 50 mutewe iteka n'Imana mu kubasangiza n'Umwana wayo ibanga ry'Ubusaseredoti.

*Mwobwira abasomyi b'ikinyamakuru Ndongozi y'Uburundi ivyabanezereje muri iryo banga?*

Umusaseredoti ni uwundi Kristu « Sacerdos, alter Christus». Igihe Umwepisikopi yatira umudiyakoni ngo abe umusaseredoti kirahambaye rwose. Arangura igikorwa gifatanye rwose n'irema ry'Imana yo nyene, mu buhinga no mu rukundo rwayo. Ku bubasha bwa Mutima Mweranda, uwo mwepisikopi araturemera uwundi Kristu muri uwo mudiyakoni ari imbere yiwe.

Ica mbere rero campimbaye aho natirwa mw'ibanga ry'ubusaseredoti busuku, ni iki : kuba uwundi Kristu mu muryango mweranda wa Kristu, ari yo Ekleziya , hagati muri benewacu tugenda dusangiye urugendo rwo kunywana na Dawe wa Twese, mpejeje kwozwa na we mw'ibatisimu nyeranda.

Ibikur. urup. 4

# Yezu araza, ahagarara hagati yabo, ababwira ati: «Nimugire amahoro» (Luka 24,36)

(Bitangurira ku rup.1)

urupfu kw'i Pasika. Itsinzi ya Pasika ni intsinzi y'ubuzima ku rupfu, intsinzi y'urukundo ku rwanko, intsinzi y'ukuri ku kinyoma, intsinzi y'ineza ku nabi.

2. Yezu amaze kuzuka, yaramaze igihe aza arabonekera abigishwa biwe kugira abakomereze ukwemera, na kare ubutumwa bwari bwamuzanye bwategerezwa kubandanywa n'abo bigishwa. Igihe cose ababonekeye, indamutso yama ari ya yindi, ati: "Nimugire amahoro!" Yezu yabipfuriza amahoro abasanze ku kivi cabo ca misi yose, aho baba bariko bararonderera ikibatunga. Yarabasanga n'aho bakoraniye batekewe n'ubwoba, batinya ko na bo nyene babaziza ukumukurikira.

3. Bakristu dukunda, mbega uyu musi turakeneye amahoro ? Ni ibiki bitubuza gutekanirwa mu mitima yacu, mu ngo, mu kibano no mu gihugu ? Kunde dusubire tuzirikane iyi ndamutso y'amahoro ya Yezu Kristu yazutse, tuhakure n'ingingo twokwishingira kugira ngo twebwe n'igihugu tubamwo tuzukane na Yezu

**I. Indamutso y'amahoro ni indamutso ihumuriza igakomeza ukwemera**

4. Iyi ndamutso ya Yezu Kristu irumvikana umuntu yibutse ivyari vyabereye i Yeruzalemu, maze agakubitiza agatima ku rubanza rwa Yezu, ku nzira y'umusaraba no ku rupfu rwiwe ku musaraba. Umwizero wose w'abatumwa n'abandi bigishwa wari wayonze nk'uko tubibona muri ya nkuru y'abigishwa b'i Emawusi

Imitima y'abigishwa yari yahababutse. Vyari nkenerwa ko ahaciye intuntu, amaganya n'ukwihebura hasubira gutunganywa igikorwa co kuremesha imitima.

Yezu yazutse, yamaze imisi abonekera abigishwa biwe abazaniye umwizero mushasha. Yaza abugururira amaso n'umutima ngo bahindure ukuntu bahora babona Imana n'ihangiro baha ubuzima bwabo. Izuka ryiwe ryaje nk'umushinge mushasha wo kwubakirako ubuzima.

5. Iyo ndamutso y'amahoro ya Yezu izana umwizero mushasha. Ishikana amahoro y'Imana mu mitima y'abatumwa n'abigishwa kuko batahura ko muri Yezu Kristu Imana yatsinze ibintu vyose bifutanya ubuzima bwa muntu gushika ku gicumuro n'urupfu.

Iyo ndamutso y'amahoro isubira kurema gushasha ingabirano y'ukwemera. Yezu yarangikiye Mutima Mweranda abigishwa biwe kugira aremeshe imitima yabo, baheze babone ko umuntu afise iyo ava n'iyo aja; aho na ho hakaba ari ku Mana. Amaso y'abigishwa amaze kwuguruka kubw'ububasha bwa Mutima Mweranda, baciye biyumvamwo ubutumwa bwo gushikana ayo mahoro ya Yezu mu bantu bose, harimwo n'abari bigize abansi biwe gushika n'aho bamubamba ku musalaba.

**II. Indamutso y'amahoro ni indamutso iremesha ikerekeza kuri kazoza**

6. Turakenera iyo ndamutso y'Imana ituremesha mu kwemera, na cane cane iyo turi mu bihe bisimbisha umutima, hamwe twumva umengo inabi iriganje : ikinyoma, akarenganyo, urwanko, ubwicanyi n'ubundi bubisha bigasasirwa indava.

Hari igihe tumera nka ba bigishwa babiri b'i Emawusi, tukihebura, tugatakaza umwizero mu migambi twarimwo turiko turaharanira kazoza, tukarondera iyo tuja kunyegera ngo tube turiki-nze urupfu.

Ni mu gihe nk'ico Yezu yazutse atwiyegereza, akaduherekeza mu rugendo turimwo, agasubira kudufasha gutahura urukundo rw'Imana yigize umuntu, maze Yezu Kristu agaca mu vyo twese ducamwo kugira ngo atwereke ko tworema kuko Imana ari yo ifise intsinzi irama, yo ishobora no gutsinda urupfu.

Muri Yezu Kristu, turabona ko Imana idashobora guheba intu-ngane yayo.

Tumaze gutahura ukuri kw'Imana, duca tubona ko urupfu rudashobora gutsinda ubuzima, ko ikinyoma kitotsinda ukuri, ko urwanko rutonyikiza urukundo.

Iyo ndamutso ngo "Nimugire amahoro!" ni yo ihuza imyitwarariko y'ubuzima twaciyemwo bukadusigarana ibikomere n'imvune hamwe n'umwizero Yezu yazutse atuzanira ngo duhangare kazoza turemye.

**III. Indamutso y'amahoro ni indamutso Abarundi n'ababa mu Burundi dukeneye**

7. Kuri twebwe abemera Kristu turi mu mirimo itandukanye mu buzima bw'igihugu, birabereye ko twibuka kandi tukibutsanya ko Pasika i-janye n'inaguka ry'ubuzima mu mice yose y'ubuzima bw'umuntu n'ubw'igihugu.

Intsinzi ya Yezu Kristu nitubere umwambiro mushasha, twemere kwiyambura wa muntu wa kera tube bashasha muri Kristu yadupfiriye ngo atunywanishe n'Imana yongere atunywanishe nk'abavukanyi. Imana ni yo Dawe wa twese adusaba na ntaryo kubana nk'abavukana bamukomokako, ata n'umwe avuyemwo.

8. Ngaha mu Burundi, ihimbazwa ry'iki gihe ca Pasika rihuriranye n'uko igihugu cacu kiriko kirarondera kwubakira ku kuri,

Ibik. urup.5

# Naje kugira ngo intama zironke ubuzima

*(Bitangurira ku rup.2*

Ikindi campimbaye, ni uko natumwe, kuva uwo munsi, kubera umusuku benewacu, abantu, mu vyo bakeneye bibakuza, bibatumirira kugwanira ka gashusho Imana yarema muri twebwe (Amamuko 1 ? 27-28. Kuba umusuku w'ubuzima bwuzuye, kw'izina rya Kristu : birampimbara cane, kandi nkumva ko no kubipfira nobipfira. Ni harya abantu banyumva bahora bavuga ko ndabasabira, ko noba ngomba kubakarira: oya, nipfuza kubashikiriza iyo ngabirano naronse nanje, kandi ntari bugumane ndayihishije muri jewe.

2. Muri iryo banga, ijambo ry'Imana ry'abayobora ni iri :« Naje kugira intama zironke ubuzima, kandi ubuzima bwuzuye (Yohani 10,10).

*Iryo jambo ga Nyenicubahiro, mubona muri iyo myaka yose mwarashikanye ihangiro muri ino si y'ubu?*

Bavukanyi, ihangiro umuntu yihaye ryama rimuruta. Iyo ari Imana ho yaritwoheje, riturengera kabiri, gatatu ,incuro nyinshi. Sinovuga rero ko nashikanye ! Umugani wa Pawulo Mweranda: «Naje imbere yanyu mfise integer nke» ( 1 Abanyakorenti 2,3).

Ariko rero nashaka kandi ko nshikana ico gikemanyi c'Umwungere mwiza, Kristu, hagati mu bantu , ata n'umwe asigaye. Ndipfuza rwose ko vyoba uko. Ejo, ngashengera, nipfuza ko igisabisho canje nshitse imbere y'Imana Mushoboravyose coba iki: «Kugirango baronke ubuzima, kandi ubuzima bwuzuye», akanyota kabo kagahera, bagaheza nabo bagahi-mbarwa mu rukundo n'akanyamuneza k'Imana.

3. Iyo myaka 50 muri mw'ibanga muri Ekleziya y'Uburundi, hari ibihe bitoroshe yaciyemwo.

*Icabaye umwizero ni akanyamuneza mwokituyagira?*

Aho Umukama yarungika bamwe icumi na Umwe, yarahejeje arabaremesha, ababwira ati: «Nanje ndi kumwe na mwe imisi yose gushika ku muhero w'isi» (Matayo 28,20). Yari yabibabariye akara, arabuvunira akagohe ati: « Tutari kumwe ntaco mwokwishoboza» ( Yohani 15,5).

Mu bihe vyangoye gusumba ibindi canke mbere ngahakwa no gupfa, ndafise uwamye andemesha, ni Yezu we nyene ubwiwe na Bikira Mariya Nyina wiwe mweranda, na mwebwe abavukanyi banje mwaza muransabira.

Na none ndacari mu minwe yanyu. Mungumize mu gisabisho. Yezu na we antware mu Mushaha wiwe uherekeza abatumwa biwe. Nta handi nakuye ubushobozi, n'umutima urinda atari aho.

*4.Nk'Umukurambere wacu, ni irihe jambo mwoshikiriza abasomyi ryobakaburira kwijukira iterambere ngo dushike kw'iterambere rirama?*

Bavukanyi dusangiye ukwemera, ukwizigira n'urukundo, ntahandi twokura iterambere ry'ukuri kandi rirama atari kuri Dawe wa Twese, kuri Yezu Kristu na Mutima.

Turabwirizwa gushaka amajambere, dukure amaboko mu mpuzu, dukore tudakebaguzwa ni naco Imana yaturemeye ngo dutere imbere mu kuyikunda, ayo niyo majambere atazotwagara, akatwungira ubumwe na benewacu. Tugerageze duce muri iyo nzira, ntituzozimira na mba kuko tuzoba dukorana na « Kristu Muco w'Amakungu yose.

**Nyenicubahiro Musenyeri Simoni Ntamwana, ni nde?**

Ni umurundi yavutse igenekerezo rya 3 Ruheshi 1946 ku Mukenke wa Muyinga, intara ya Kirundo.

* Yize amashure y'intango i Mukenke : 1953 - 1957

* Mu 1957 - 1963: yiga i Kanyinya

* Mu 1963-1966: Yize amashure yisumbuye mw'Iseminari nkuru y'i Burasira.

* Mu 1966-1967: Yize umwaka umwe wa Filozofiya i Bujumbura, hanyuma aca arungikwa I Roma muri Kaminuza «Urbaniana» ikukira Papa, kubandanirizayo ivyigwa vya Filozofiya aho yatahukanye urupapuro rw'umutsindo '«Doctorat»; abandanya n'ivyigwa vya Teolojiya aho nyene yatahanye urupapuro rw'umutsindo mu gisata c'iyo Kaminuza gitohoza ivyiyumviro vy'abahakanamana n'ibibatuma.

* Ku wa 24 Ntwarante 1974 niho yatirwa mw'ibanga ry'ubusaserdoti i Roma nyene na Nyakubahwa Kardinali Angelo Rossi, yari arongoye muri ico gihe Ibiro vya Papa bishinzwe kumenyesha Inkuru nziza mu bihugu vyose.

Aho atahukiye mu Burundi, Musenyeri Simoni Ntamwana yashinzwe ibikorwa bikurikira:

* Kuva 1976 - 1979: Umuyobozi w'iseminari y'i Muyinga
* 1977 - 1988: Icegera c'Umwepiskopi w'i Muyinga, Yari ashinzwe n'imihari y'urwaruka gatolika, Ubutumwa bw'indero rukristu mu rwaruka n'abakuze; Ibiro vya Caritasi n'iterambere muri Diyoseze Muyinga, inyigisho zo gufasha abatumwa b'Ekleziya kwamana ubuhinga n'umwete mu bgikorwa bashinzwe, gukomeza mu rwaruka umutima wo kwihebera Imana; Ubutumwa bwo kurongora Paruwase Gitaramuka.

* Kuwa 5 Ruhuhuma 1989 : agenwa kuba Umwepiskopi no kurongoro Diyoseze Bujumbura.

* 24 Nzero 1997 yagenywe kuba Umwepiskopi mukuru wa Gitega gushika 19 Ruhuhuma 2022, akwije imyaka yo kuja mu karuhuko.

***MSV M. Goreth Ndikumana***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Yezu araza, ahagarara hagati yabo, ababwira ati: «Nimugire amahoro» (Luka 24,36)

(Bitangurira ku rup.3

mu kurondera ugusubiza hamwe n'ukurekuriranira. Ni igikorwa gisaba ubwitonzi n'umutima w'urukundo.

Twipfuza gukomeza umwizero ushingiye ku ngendo y'amahoro no gusubiza hamwe dufatiye no ku makuba Uburundi bwagiye buracamwo. Dusanzwe turiko turane-gereza amagenekerezo imigwi itari mike y'Abarundi yibuka ababo bagiye barahitanwa n'ivyo vyago Uburundi bwagiye buracamwo.

Iki gihe gihuriranye kandi n'uko turiko turitegurira amatora yo mu mwaka uza w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri na gatanu.

Ni igihe ciza rero co gusubira kunagura ubuzima, twisunga inzira Yezu Kristu yaduciriye n'akarangamutima gashingiye kuri ayo mahoro. Twebwe abemera Yezu Kristu yapfuye akazuka, turategerejwe gutanga intererano yacu kugira ngo amahoro ya Kristu abe ari yo dushira imbere.

Ni muri iyo ntumbero twagomba tugaruke ku bintu bine bijanye n'ibihe turimwo twosaba ko bimurikirwa n'akarangamutima gashingiye kw'Ijambo ry'Imana.

<u>Ica mbere</u>: ***Gutsimbataza umwizero mu ntwaro iha ijambo igatunganiriza bose***

9. Muri kahise k'iki gihugu cacu, turazi ukuntu Uburundi bwaguye kenshi mu kaga bivuye ku gatima ko gukumirana n'ukwikwegerako ubutegetsi bwose. N'ubu tugumana umwitwarariko, kuko hibonekeza ibimenyetso vy'uko hariho abipfuza intwaro yotugarukana ku ndinganizo ishingiye ku mugambwe umwe.

Birakenewe rero ko hatsimbatazwa intwaro iha ikibanza imigambwe yose, harimwo n'iyidahuje ivyiyumviro n'uwuri ku butegetsi, gurtyo Abarundi bose bagashobora gushikiriza iryo bafise ku mutima no mu bimenyeshamakuru vy'igihugu, bagatunganya amanama bakurikije amategeko, ata kuburagizwa.

Gutunganya amanama n'ugushikiriza icese ivyiyumviro ntibihagije, mu gihe Abarundi batoba bafise umwidegemvyo wo gutunganya ukuntu baja hamwe bakiteza imbere bateza imbere n'itunga rusangi.

Ivyo bishizwe mu ngiro, ni ho twoba turiko turitegurira neza amatora twimirije kugira ngo abe amatora atawe akumira, akorewe ahabona kandi mu mwidegemvyo, ibiyavuyemwo bikemerwa ata gahigihigi.

10. Amajambo n'ingingo zishingwa ntibishirwe mu ngiro bituma abenegihugu batizera inzego, na cane cane ko abashinzwe amabanga badaheza ngo baze barashikiriza icese ingene bariko bararangura amabanga bashinzwe n'ivyo bariko barashikako.

Ko Leta yashimye kwitwa « Leta Mvyeyi », yotsimbataza ako karangamutima gute idashoboye kwumviriza n'ugutunganiriza bose, kugira ntihahave haba bamwe bumva ko bakumiriwe ? Mu gihe abatari kumwe n'umugambwe uri ku burongozi bw'igihugu bafatwa nk'abansi maze ntibashobore n'ugushingwa amabanga ngo baronke akazi kandi babifitiye ubumenyi n'ubushobozi, biraheza bikagorana guharanira itunga rusangi.

Birakenewe rero ko Abarundi basubira kuganira neza ingene intwaro yoha ijambo bose, igatunganiriza bose, gurtyo ikagenda iremesha umwizero mu burongozi.

<u>Ica kabiri</u> : ***Gukomeza inagurwa ry'urwego rw'ubutungane***

11. Abarongozi b'igihugu, uhereye ku Mukuru w'igihugu, ntibasiba gushikiriza ingaruka mbi z'ukudahana. Uko ukudahana kwimonogoza, ni ko abanyagihugu bata umwizero mu rwego rw'ubutungane, maze bakagenda bacika intege, bakihebura, bagatangura kugomba kwihanira, ugasanga baraguye no mu vyaha bikomeye.

Hariho rero n'abacamanza canke abandi bo mu bisata vy'urwego rw'ubutungane bafitiye ubwoba umutekano wabo, kubera igitsure ca bamwe bamwe mu bategetsi, maze bagahava bemera guhemuka kw'ibanga aho guhagararira ukuri n'ingingo.

12. Ikibazo c'ubutungane kiranafatiye no ku kuntu amabanga n'akazi bitangwa n'inzego za Leta.

Turumva abantu batari bake bidoga ko mw'itangwa ry'akazi hatarabwa ubumenyi, ubukerebutsi, ubuhinga n'ubushobozi, ariko ko harabwa cane cane umwete wo gukorera umugambwe uri ku butegetsi canke ugutanga ibiturire.

Ivyo bituma irangurwa ry'imirimo umuntu ashinzwe ridafatira ku bumenyi, ubukerebutsi n'ubushobozi, ivyo vyose bikagira ingaruka ku mwimbu, ugasanga igihugu giha agahembo ibinebwe n'abariko baragisahura, maze ukurya igiturire kukagenda kwimonogoza.

13. Birabereye ko indongozi be n'abajejwe ubutungane ku nzego zose, bava hasi bagakora, kugira ngo Umurundi eka n'uwuba mu Burundi wese atunganirwe, uwarenganijwe arenganurwe, atekanirwe mu biwe no mu vyiwe. Nkako nk'uko twabivuze, uko kwose habaye akarenganyo ntigahanwe, ni ko agahinda n'umwikomo bikomera mu bantu bigahava bivyara induru n'indwano.

Ibikur. urup. 12

# Umuhamagaro w'umukristu ni ugukorera Imana



Foto: Mélance Ndayikeze

Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura.

***Uko umwaka utashe muri Ekleziya Katolika, idominika igira 4 ya pasika ni umusi mpuzamakungu wahariwe itorwa. Uno mwaka, uwo musi wahimbajwe ku musi w'Imana igenekerezo rya 21 Ndamukiza 2024. Urwaruka ruserukira abandi bahurikiye mu mirwi y'itorwa mu maparuwase agize Diyoseze nkuru ya Bujumbura rwahuriye muri Paruwase yitiriwe Umuryango Mweranda yo mu Kinama.***

Mu nkuya ya misa y'uwo musi mukuru, Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa yari ayirongoye yibukije urwo rwaruka hamwe n'abandi bakristu inkomoko y'umusi mukuru wa Yezu Umwungere mwiza. Nk'uwo abivuga, ngo Umusi mukuru wa Yezu Umwungere mwiza warahimbajwe kuva kera, aho abatumwa n'ababasubiriye, abungere b'Ekleziya mu mpande zitandukanye z'isi baza barazirikana bukebuke ingene Yezu Kristu yitwarararitse abigishwa biwe, mbere agakunda gushika atenge n'ubuzima bwiwe. Ati: «Mu nyuma cane, mu mwaka 1971, bafatiye ku bisomwa vyeranda bizirikanwa muru Ekleziya nzima ku musi w'Imana ugira kane wa pasika, niho hahavuye hafatwa ingingo ntabanduka yuko umusi mukuru wa Yezu Mwungere mwiza uzohora uhimbazwa kw'si yose ku musi w'Imana wa kane wa pasika.»

Musenyeri gerevaza arongera ati: « Kuva kera na rindi Imana yamye yiyerekana nka Yezu mwungere mwiza: Abacamanza, abami Imana yagiye iratuma gutunganiriza abantu bayo... Ariko rero, Yezu, mana yigize umuntu niwe yaciye agaragaza ubwo bwungere bwiza bw'Imana.»

### Yezu yavyerekanye gute?

Yezu yaje yitwararika ubuzima bw'abantu mu kubigisha. Mu kirundi bavuga ngo "Nta bworo buruta kugira ubwenge buke". Inyigisho ya mbere, ni iyikumenyesha ico uri, iyo uva n'iyo uja. Yezu niwe yaje amenyesha ico turi twebwe abantu, ko Imana yaturemye ngo tuyimenye, tuyikunde, tuyikorere hanyuma izotujane mw'ijuru.

Vyongeye, ngo Yezu yaje yiyegerezwa abantu bari barakumiriwe kugira ngo aberekeko bafise iteka. N'abandi ntiyabirukana, ariko yiyegerezwa abantu batobato mu gukiza barwaye, mu kugaburira abashonje n'ibindi. Mu nyuma, Yezu yagaragaje umutima w'ubwungere bwitangira intama mu kwemera agapfa ku musaraba.

### Ukwo kwitanga kubandanya kuranguka muri Ekleziya

Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura abandanya avuga ko ubwo bwugere bwa Yezu, uno musi buranguka muri Ekleziya. Ati: «Ekleziya ni nk'ubwato twinjira twese bukadushikana ahari ubwatsi buremvye. Ni muri iyo ntumbero Yezu yagenye abandi Bungere bamufasha kubandanya baragira intama ubwo busho.

### Ivyimburwa ni vyinshi yamara abakozi ni bake

Abo Bungere benshi kandi beranda ngo nibo dusabira tukongera tukabasaba Imana ku musi mpuzamakungu wahariwe itorwa. «Uwitaye muvyo Imana itamutoreye, aragorwa, akagora n'abandi. Ni co gituma ku musi ku musi dutegerezwa gusenga dusaba Imana ngo itwereke ico yaduhamagariye. Naho vyomugora, uwitavye ijwi ryu'Imana ntagirira na rimwe. Ico gisabisho, twocerekeza ubwambere kubafise imihamagaro idasanzwe: Papa, Abepiskopi, Abasaserdoti Abadiyakoni n'abihebeye Imana bose kuko nibo Yezu yashinze ubwa mbere ubwo butumwa bwo kuragira ubusho bw'Imana muri Ekleziya.»

Umwepiskopi yasavye kandi ko tutokwibagira gukengurukira Imana kubo tumaze kuronka, tubasabire kuko ngo ni ibanga rigoye. Yasavye kandi abakristu kwisabira cane ngo umwe wese ashobore kuba Umwungere w'uwundi arondera ivy'ijuru kandi aronderera ubwatsi buremvye mugenziwe.

***Mélance NDAYIKEZE***

# Umunsi wahariwe indero mu mashure muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura *(Ibikurikira)*

Foto: Chanel HARINGANJI



NIYONGABO Angela n'umwe mu bakukuruke b'uyu mwaka, yahora arongoye Ecofo Ngagara Karitiye ya 5, iryo shule akaba yararirongoye imyaka 16.

Avuga ko kurongora abandi ari igikorwa kitoroshe kuko bisaba kwihangana, harigihe umuyobozi atanga itegeko ryumvikana ntiryumvirwe, ariko ntagutwarira hejuru, ntagushavura kuko bidakunze uyumusi birakunda ejo canke hiryayejo, birasaba kwicisha bugufi imbere y'abo barezi, abavyeyi hamwe n'abanyeshure nyene.

Ariko n'ubwo biruko, arahimbarwa iyo ahuye n'umwana yareze akamuramutsa n'urupfasoni, n'uwo yahanye akabona ko atamuhoye ubusa. Agahimbarwa kuko ivyo ari bimwe mu vyamwa vy'uburezi.

Abo barerwa abasaba kwama bicisha bugufi aho bari hose, bimwe bababwira, ya ndero runtu na rukristu bahabwa, harageze aho nabo babishira mu ngiro, bakerekana ko hari ico vyabamariye mu kubigaragariza aho barangurira ubutumwa.

NIYONGABO Agela avuga kandi ko mu mwuga wo kurera, atawovuga ngo yahejeje, kuko uba ufise aho watanguriye naho wifuza gushikana iryo shule, ari naco gituma asaba abamukoreye mu ngata kubandaniriza aho yaragejeje isuka akabavunira akogohe shure atandukanye yegukira Ekleziya gatorika muri diyoseze nkuru ya Bujumbura.

Ikindi n'uko abayobozi b'ayo mashure naho atari beranda, bari mu bayobozi bagerageza kuko ivyo bibonekera mu mwimbu uva mu bana bareze. Ari naco gituma mu gutanganya ayo mahwanira baba bashaka gushikana kure iciyumviro, kuko naho bahugura abo bayobozi,

Foto: Chanel HARINGANJI



*Bamwe mu bayobozi hamwe n'abajejwe ivyigwa mu mashule yegukira Ekleziya Gatorika muri diyoseze Nkuru ya Bujumbura*

Foto: Chanel HARINGANJI



*Patiri Eddy KWIZERA umugenduzi mukuru mu mashure yegukira Ekleziya Gatorika muri diyoseze nkuru ya Bujumbura*

abamenyesha yuko batoshira amatgeko n'ibihano imbere, ahubwo bokomeza ibiyago kuko si imisi yose umuntu akosheje aca ahanwa, habanza ibiganiro bagahanura, uguhana kikaza inyuma hamwe inzego zose zananiwe.

Patiri Eddy KWIZERA umugenduzi mukuru mu mashure yegukira Ekleziya Gatorika muri diyoseze nkuru ya Bujumbura, arashimishwa n'ivyamwa bimaze kuva muri ayo mahwaniro ahuza abayobozi b'amahanini sibo baba bashaka, baba bashaka abo bareze. Abo bayoyobozi bavyifashemwo niho duheza tukaronka kazoza ka Ekleziya n'igihugu keza. Atumirira rero abo bayobozi kwama bibutsa abo basangiye ico gikorwa co kurera ihangiro Ekleziya ifise.

Tubamenyeshe ko iryo hwaniro ridanzwe ryari ribaye ku ncuro igira indwi kuko amahwaniro nk'ayo yatanguye kuba kuva mu mwaka wa 20217.

**Chanel HARINGANJI**

# Iterambere ni iki?

Hariho abantu baashinga intahe bavuga mu ncamake bati: iterambere si ibintu , iterambere ni Ubuntu ari bwo bwa bushingantahe. Ubwo buntu nibwo butuma dushikira ibintu

**Ubushingantahe ni iki? Ubuntu ni iki?**

Hari abageregeje kwiyumvirira hamwe, baca abagira bati : « Iterambere ni ukumenya kwiyungunganya mu vyo dufise kugira ngo dushikire akarusho » Iterambere rero ni ibikorwa vy'ubushingantahe birimwo n'ubuhinga.

Ivyo dufise ni ibiki ko turi ba ntahonikora? Mbega mweho muvyibazako iki?

Umusomyi wa Ndongozi ati: " Imbere ya vyose, iterambere riva ku mico, ku ndero, ku migenzo myiza, ukwishira n'ukwizana birangwa n'ukuri, Ubuntu n'ubushingantahe.

Umushingantahe nawe abonekera mu bikorwa vyo kugwanya akarenganyo, kuko akarenganyo ni ryo soko rikuru ry'amacakubiri." Iterambere ntiriza nk'imvura. Ryitwa: "Biraronderwa", rizanwa na bwa bushingantahe buhagaze ku bikorwa vy'ubwenge dufise.

**Irindi tunga ryuhirira ayo abiri ni umwanya.**

Umwanya nta muntu awubona, ariko twama tubazanya ko tuwufise. Muri ico gihe tuba turiko turarondera ingene twokoresha bwa bwenge na ya magara, tugasanga dukeneye umwanya.

Abongereza nibo bavuga bati : Umwanya, tuwukoresheje neza, uradushikiriza rya tunga turondera twese.

Umwanya rero ungana n'amasaha 12 y'umutaga na 12 y'ijoro. Ayo ijoro yagenewe akaruhuko, ayo umutaga yagenewe akazi. Abakozi bo kw'isi yose barafise amasezerano yerekana ko akazi gafata amasaha 8 kuri ya masaha 12 agize umutaga. Ayo rero niyo yagenewe akazi ko kwiteza imbere, dukoresheje bwa bwenge na ya magara.

Umwe wese rero yibaze ingene akoresha umwanya afise.

Iyo umuntu atembereye, arabona abantu benshi bicaye, abandi bariko baratembere. Umenga ntibagira iyo baja, kandi ari mu mwanya w'akazi. Umuntu aca yibaza ati: none abo bose bazotungwa n'ibivuye mu maboko ya bande? Hari abibaza ibituma n'ingene itunga n'ubuzima bw'igihugu bitituka: igituma ca mbere ni uko abasangiramutemere ari umurengera, abasangirakivi nabo bakaba bake cane. Benshi rero bakabona ko ari ibisanzwe.

None ko tuvuga ngo turi bakene, umwanya dufise tuwukoresha gute? Mu kwikenura? Dukoresha umwanya ungana iki? Ubwo turanezwe no kuwuharura?

Ubwo hariho abantu benshi bibaza bati: mbega ko ndiko nsangira n'abandi, nashizemwo ibingana iki? Ahandi ho mba ndiko ndatembagaza igihugu.

Benshi muri twebwe twishimikiza wa mugani uvuga uti: Inyoni ntizirima kandi ntizimbura, ariko mu kurya zikaba iza mbere.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Samandari....

* Mbega Samandari waraye hehe? Samandari ati: Naraye kwa mabukwe. Mbega aragumye? Nabonye angaburira ndarya, ndahimba ndahimbarwa, ntitwahotoranye ngo numve ko agmye!

* Mbega Samandari iyo nka yawe ikora iki? Samandari ati: Irata amase ikaganga, usanga rwanyu zisenya zikavoma, rwanje nta vyo ikora.

* Urwo ruzi rungana iki ga Samandari? Samandari ati: Ni umusore wa mbere, rurahuha ubwanwa. Bati: "Mbe uruzi ruramere ubwanwa? Samandari ati: " Mbona rugenda ijoro n'umutaga nkagira ngo ruragendereza, ruri mu kurongorwa! Bati: "Erega tukubaza aho rugera." Samandari nawe ati: "Nta mibindi nari najanye ngo mbone ko rwuzuye ine canke itanu."

## Ukuri kudutegereza kumenya uruhara rwacu

Igikenewe ni ukumenya n'ugutahura uruhara rwacu ruri mu matati, naho kwoba ari ukutamenya canke kubifata binenegwe. Ukwemera uruhara n'intege nke zacu ni intambwe yiyongerako ku nguvu z'ukudacira imanza abandi, guhindura inyifato y'urwanko rw'umukeba, kugira ngo umufashe gushishoza akarenganyo kahari. Ukugaya intege nke n'uruhara vyacu,dufashijwe n'inguvu z'ukuri, ni ikigwanisho gikomeye mu bwenge bw'umukeba. Ni intambamyi, kuko imuhamagarira gutahura, ku ruhande rwiwe, uruhara afise mu karenganyo k'ico kiringo. Mfashijwe n'ugutahura ubuhemu niyemeyereye, nca ntumirira uwundi kubitahura kuko na wenyene yarahemukiye ukuri, ukwari ko kose, yarahemutse kandi rimwe na rimwe arabigendera. Ariko si ngombwa ng'umukeba agererany-we n'icaha.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Mu mugwi CVR bati: «Kuvuga kenshi ivyabaye biraruhura imitima yatuntuye»


Foto: Mélance Ndayikeze

Abarongoye uburwi CVR ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira ku mabi yabaye mu Burundi bamaze imisi bategura ibiganiro ku mitwi itandukanye y'abenegihugu b'ababrundi. Aha twovuga nk'inama yakoreshejwe abanyepolitike, inama yakoreshejwe abakenyezi, abari mu ntwaro, intwazangabo mu ntwaramiheto, abakora mu gisata c'ubutungane n'abandi.

Muri iyo mirwi yose, ibiganiro biba bishimikiye kw'ihonyabwoko ryakorewe abarundi bo mu bwoko bw'abahutu n'ubundi bwicanyi bwagahomeramunwa bwakorewe abatutsi n'abatwa mu myka y'1972 n'inyuma yaho.

Mu nama uwo murwi watunganije ku wa 25 Ndamukiza 2024 muri Hotel source du Nil, Pierre Claver Ndayicariye arongoye umurwi CVR yaratanze umuco w'igituma inyigisho ziguma zitegurwa kandi ibivugwa bisa na bimwe igihe cose.

Mu kwishura kuri ico kibazo yari abajijwe n'abamenyeshamakuru, Pierre Claver agita ati: «Ni nkenerwa cane ko tuguma tubisubira. Uko dutunganya ibiganiro, ntihabura uwumva ivyo atari bwumve.

Ntihabura uwuba agifise igikomere co kutaronka aho avugira ivyamubayeko, gutyo uwo musi ukamubera ibakwe ryo kugira ico ashikirije. Kandi uwo musi agenda akize.»

Kiretse n'ivyo, Pierre Claver aremeza ko iyo ibintu bigumye bisubirwamwo, ngo niho vyinjira mu mitwe y'abantu. Nk'uko abivuga, ngo umurwi CVR uriko ukora igikorwa gisaba kwamizako kuko abarundi benshi bari bafise inkuru zibinyoma kubijanye na kahise kabi Uburundi bwaviyemwo.

Ku bijanye n'ibikorwa bivugwa mw'itegeko umurwi CVR wisunga vyo gusubiza ivyabo ababinyazwe, umupfasoni Christine ndayishimiye yari yitavye inama y'uwo musi yavuzeko ivyibwe vyobazwe Reta ihari ubu kuko ngo mu gihe vyibwa hari Reta yari ihari atashoboye gukingira inyungu z'abenegihugu.

Agira ati: «Twese turazi ko itongo riryoshe. Nkubu nk'abantu babaye munzu no mw'itongo bitari ivyabo mu kiringo c'imyaka 40 canke 50, kubabwira ngo have mugende ni ibintu bitumvikana».

Christine abandanya avuga ko ivyasahuwe ico gihe vyagiye mu mice ibiri nyamukuru: Ngo hari ivyatwawe n'abanyagihugu, ari ibintu canke amatongo barabinyaga.

Ariko ngo hari n'ivyanyazwe n'ubtegetsi bw'ico gihe mbere bibandanya bikoreshwa mu nzego z'igihugu. Ati: «Ko Reta idapfa kandi itimuka, ivyo vyose vyobazwa Reta yubu kuko yasubiriye iyakoze ayo makosa».

Abitaba ivyo biganiro bitegurwa na CVR, baguma bagaruka kw'ijambo rimwe nka bose: Bamaze kubona ivyabaye, bavuga bati «ivyo bintu ntibigasubire mu Burundi».

*Mélance NDAYIKEZE*

# Imvugo y'abategetsi mu Burundi ngo ntijana n'ingiro


Foto: Mélance Ndayikeze

Mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru ku wa 26 Ndamukiza, Faustin Ndikumana arongoye ishirahamwe PARCEM ryiyemeje gukangurira abenegihugu guhindura ingendo aragabisha Reta y'Uburundi ko baravye nabi bazohava basanga ihangiro bihaye mu mbonakazoza y'Uburundi bwifashe mu 2040 n'Uburundi buteye imbere mu 2060 yagumye mu majambo gusa, bigacika ururirimbo ataco rusigura.

Uwo muhinga muvy'ubutunzi, avuga ibintu nyamukuru vyerekana ko bidahindutse bikigoye cane ko uburundi butera imbere:

1. Abarongoye igihugu bategerezwa kubanza kwemera ko igihugu gikenye. Ntushobora kuvuga ko uri mu nzira yo gushika ku gihugu cifashe utaremera ko ibintu bimeze nabi cane. Kuba ari ukwivuguruza;
2. Ibintu vyo gusubiza hamwe bitegerezwa gushirwa mu vyihuta;
3. Inkingi ziri mu mugambi w'imbonakazoza zisigurirwe abenegihugu;
4. Nta nteguro yo kurondera uburyo iriho. Amajambo yo kwanka imfashanyo imbere y'uko Uburundi butera imbere ni igihushane cane.
5. Habe umuco mwikoreshwa ry'amafaranga y'igihugu n'inzego zijejwe gucungera itunga ry'igihugu zikore zigenga;
6. Hatabaye kwumvira impanuro z'abahinga Uburundi ntibwotera imbre
7. Reta yisuka muvyo kudandaza ntishobora gutuma igihugu gitera imbere

*Mélance NDAYIKEZE*

# Uburenganzira bw'abakozi bwo kuruhuka

Umukozi wese arafise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko. Abakozi ntibashobora gukora amasaha arenga umunani ku musi canke ngo bakore ayarenga mirongo ine n'umunani ku ndwi kiretse iyo abakozi bamuka mu muryango umwe kandi bakora mw'ishirahamwe ry'uwo muryango.

Umukozi arafise kandi uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko mu gihe yashikiwe n'ivyiza canke n'ibibi mu muryango wiwe. Nta mukozi ashobora kutaronswa ako karuhuka.

Uburenganzira bwo kuruhuka butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bwo kuruhuka butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

*Amasezerano mpuzamakungu yerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama,

* Amasezerano mpuzamakungu y'akazi (n°1) mu vyerekeye ikiringo c'akazi mu mahinguriro

* Hamwe n'amasezerano mpuzamakungu y'akazi (OIT, inomero 30) mu gisata c'ubudandaji.

*a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu*

Umukozi ararekuriwe kuruhuka nk'uko bitegekanywa mu ngingo ya 24, aho ivuga ko umuntu wese akeneye kuruhuka, ntakore ikiringo c'umurengera, akama aronka akaruhuko buri mwaka kandi akaguma ahembwa.

***b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama***

Kuronswa akaruhuko ni kimwe mu biranga uburenganzira bwo gukora akazi mu buryo bubereye kandi bukwiriye mu kazi, nabwo bukaba butegekanijwe mu ngingo ya 7 mu gace kayo ka kane kavuga ko abakozi bose bategerezwa kugira igihe c'akaruhuko kandi bahemberwa co kimwe n'iminsi mikuru badakora ariko bagahembwa.

*c) Mu masezerano mpuzamakungu y'akazi (OIT, inomero 1) ku vyereke-ye ikiringo c'akazi mu mahinguriro*

Amasezerano mpuzamakungu y'akazi arerekana ko ikiringo co gukora amasaha umunani ku musi ari co gitegekanywa no mu mahinguriro.

Tubisanga mu ngingo ya 2 mu gace kayo ka mbere, aho ivuga ko abakozi bakora mu mahinguriro ya Reta canke y'abigenga badashobora gukora amasaha arenga umunani ku musi canke ngo bakore ayarenga mirongo ine n'umunani ku ndwi kiretse iyo abakozi bamuka mu muryango umwe kandi iryo hinguriro bakoramwo ari iry'uwo muryango.

Ingingo ya 3 na yo ivuga ko naho ikiringo c'akazi gitegekanijwe mu masaha umunani ku musi, iki kiringo gishobora kurenga igihe habaye isanganya rikomeye rituma akazi kadakorwa ku muvuduko utuma haboneka umwimbu wari witezwe, igihe hari ibikorwa vyihutirwa kandi bikoreshwa imashini ariko naho nyene bitegerezwa kurangurwa ku mvo zituma ihinguriro ribandanya rirangura inshingano zaryo.

*d) Mu masezerano mpuzamakungu y'akazi (OIT, inomero 30) mu gisata c'ubudandaji*

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwo kuruhuka, ingingo ya 3 y'aya masezerano irategekanya ko abakozi bakora mu rudandazwa badashabora gukora ikiringo kirenga amasaha umunani ku musi kandi ntibarenza amasaha mirongo ine n'umunani ku ndwi.

Naho biri uko, ingingo ya 4 irategekanya ko amasaha y'akazi ashobora kwongerezwa ariko ntashobora kurenga amasaha cumi ku musi.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Amategeko y'Uburundi arategekanya uburenganzira bwo kuruhuka n'ukwinezereza.

Tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, mw'ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi, hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 08 ruhuhuma 2023 rigenga abakozi ba Reta.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro*

Amategeko mpuzamakungu twavuze aha hejuru arategekanya uburenganzira bw'abakozi bwo kuronswa akaruhuko. Ingingo ya 19 y'Ibwirizwa Shingiro irayinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi.

Na yo ni itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama hamwe n'amasezerano mpuzamakungu y'akazi.

Ni ukuvuga ko ingingo zavuzwe muri ayo mategeko mpuzamakungu ziguma zubahirijwe mu Burundi.

*b) Mw'ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi*

Ico gitabu kiratomora ko ikiringo c'amasaha y'akazi ari amasaha umunani ku musi.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abakozi bwo kuruhuka

(Bitangurira ku rup.10)

Ibi bitegekanywa n'ingingo ya 245 ivuga ko amasaha y'akazi ategekanijwe ku musi ari amasaha umunani.

Mu gihe akazi gakorwa amasaha menshi, itegeko nshikiranganji rirashinga amasaha yongeweko rikanategekanya ingene abakozi bazohembwa igihe bazoba bakoze amasaha arenze ku yategekanijwe.

Ingingo ya 263 ivuga ko umukozi uwo ari we wese akorera Reta canke abigenga, ategerezwa kuronka umusi umwe w'akaruhuko mu ndwi. Ako karuhuko gatangirwa rimwe ku bakozi bose kakaba gategekanijwe kenshi ku musi w'Imana.

Umushikiranganji ajejwe abakozi amaze kumviriza abarongoye inama y'igihugu y'akazi, ni we ashiraho itegeko ritomora ingene iyi ngingo izoshirwa mu ngiro ku vyerekeye ingene umukozi azoronka akaruhuko ku munsi utari uw'Imana bivanye n'akazi umukozi ajejwe.

Ingingo ya 264 ivuga ko igihe akaruhuko gatangirwa rimwe ku bakozi bose, umukoresha ategerezwa gushiraho urwandiko imbere y'igihe rumenyesha umusi n'amasaha y'ako karuhuko.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko, mu gihe abakozi bose badashobora kukaronkera umusi umwe, umukoresha abimenyesha imbere y'igihe biciye mu rwandiko rutomora amazina y'abakozi batazoronka akaruhuko kuri uwo musi.

Mu ntumbero yo kubahiriza uburenganzira bwo kuruhuka, ingingo ya 270 irerekana ko abantu batarashikana imyaka 18 badashobora gukoreshwa amasaha y'ijoro mu mashirahamwe ya Reta canke y'abigenga.

Uburenganzira bwo kuruhuka burubahirizwa ku bakozi batarashikana imyaka 18. Tubisanga mu ngingo y'282 ivuga ko abakozi bakora mu mahinguriro batarashikana imyaka cummi n'umunani, bategerezwa kuronswa n'imiburiburi akaruhuko kangana n'amasaha 12 aharurwa kuva bavuye ku kazi gushika bazogaruke bukeye.

Iminsi y'akaruhuko iriyongera uko umukozi amara imyaka myinshi mu kazi kandi ku mukoresha umwe.

Tubisanga mu ngingo ya 291 aho ivuga ko akaruhuko kiyongerako umusi umw'umwe uko hahera imyaka ine umukozi akora akazi ku mukoresha umwe.

*c) Mw'ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 08 ruhuhuma 2023 rigenga abakozi ba Reta*

Umukozi arafise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko. Ibi tubisanga mu ngingo ya 49. Ako karuhuko kangana n'imisi mirongo ibiri n'itanu ku mwaka ashobora gufatira rimwe canke kenshi mu biringo bitandukanye bivanye n'ingene avyumvikanye n'umukoresha wiwe.

Umukozi ategerezwa kuba yafashe akaruhuko kiwe imbere y'igenekerezo rya 30 ruheshi.

Iyo umukozi ataronkejwe akaruhuko kiwe gategekanijwe mu mwaka, ashobora kukaronswa mu mwaka ukurikira ariko ntarenze mu kwezi kw'icumi na kabiri ataragasaba.

Umukozi arafise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko mu gihe yashikiwe n'ivyiza canke n'ibibi mu muryango wiwe.

Tubisanga mu ngingo ya 52 ivuga ko umukozi aronswa akaruhuko iyo yashikiwe n'ivyiza canke ikibi mu muryango wiwe.

Aha twovuga nk'igihe yubaktse urwiwe, yibarutse, yabuze uwo bubakanye, abavyeyi biwe, n'abandi nk'uko amategeko abitegekanya.

Ako karuhuko gategerezwa gutangwa muri ico gihe nyene umukozi yashikiwe n'ibibi canke n'ivyiza. Nta mukozi ashobora kubuzwa ako karuhuko.

Igihe umukozi ashikiwe n'ivyiza canke ibibi yari asanzwe ari mu karuhuko, ako karuhuko ka mbere gaca gahagarara kakazosubira kubandanya ako kandi karangiye.
Ingingo ya 54 itegekanya ko ako karuhuko gaharurwa hagati y'imisi itatu n'itanu bivanye n'ikintu cashikiye umukozi.

Umukenyezi yibungenze arafise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko. Bitegekanijwe mu ngingo ya 55 ivuga ko umukenyezi yibungenze aronswa akaruhuko kangana n'indwi 14 zigabuwemwo kabiri : imbere n'inyuma yo kwibaruka. Umuganga ni we afise uburenganzira bwo kwerekana aho ivyo biringo vyose bitangurira.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umukozi wese afise uburenganzira bwo kuruhuka nk'uko amategeko mpuzamakungu n'amategeko y'igihugu abitegekanya.

Twabonye ko abakozi batarashikana imyaka 18 badashobora gukoreshwa amasaha y'ijoro, kandi bategerezwa kuronswa n'imiburiburi akaruhuko kangana n'amasaha 12 aharurwa kuva bavuye ku kazi gushika bazogaruke bukeye.

Twabonye kandi ko umukozi afise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko mu gihe yashikiwe n'ivyiza canke n'ibibi mu muryango wiwe.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Yezu araza, ahagarara hagati yabo, ababwira ati: «Nimugire amahoro» (Luka 24,36)

(Bitangurira ku rup.4

**Ica gatatu:** ***Gutsimbataza umutekano ukingira ubuzima bwa zina kiremwa muntu***

13. Umutekano ni itunga rihambaye ku muntu uwari we wese. Kwumva mu gihugu cacu hakiriho abantu bicwa bunyamaswa canke bakagenda amazimayongo kubera politike canke izindi nyungu izo ari zo zose, ni ibintu biteye agahinda.

Tuboneyeho akaryo ko gusubira guhoza ababuze ababo mu bihe bishize.

N'iyo umuntu yoba afashwe n'inzego zibijejwe, bitegerezwa gukorwa hisunzwe amategeko, umuntu agapfungirwa ahantu hazwi kandi hashobora gushikwa n'abo mu muryango wiwe.

15. Gucungera umutekano muri ya ndinganizo y'inyabune ni nkenerwa mu gihugu. Ariko inzego z'umutekano zibwirijwe kwumva ko ari zo za mbere zishinzwe gukingira abenegihugu n'utwabo.

16. Ntitwovuga ivy'ugutsimbataza umutekano ngo tureke gutera akamo abantu bagifise iciyumviro co gusesa amaraso y'abantu bitekaniye, ivyo bakabigira nk'uburyo bwo gushikiriza ivyiyumviro vyabo canke guharanira ivyicaro vya politike.

Turahamagariye uwo wese yoba afise ako gatima gutumbera inzira zubaka igihugu zubahirije ubuzima bw'umuntu n'agateka kiwe, hagakomezwa ibiganiro n'ukuja inama n'ingingo.

**Ica kane** : ***Kubandanya twitaho ikibazo c'ubukene mu benegihugu***

17. Turashima ko inzego z'igihugu zikora uko zishoboye ngo umwimbu mu burimyi n'ubworozi ugende wiyongera. Mugabo biraboneka ko ubutunzi bw'igihugu butarifata neza.

Nkako, iduga ry'ibiciro, ifaranga ry'Uburundi ribandanya rita agaciro, ukubura kw'ibitoro n'ibindi bisumwa nkenerwa mu buzima bwa misi yose, ubushomeri, biri mu bintu bituma abantu batari bake baba mu bukene kandi buguma bwiyongera.

Birakenewe ko ikibazo c'ubukene kibandanya cigwa neza, maze inzira z'ukuva mu bukene zishikirijwe muri ivyo vyigwa n'ibiganiro zigashirwa mu ngiro, kandi hakaza harasuzumwa ingene ibintu biriko biratera imbere.

18. Kugira turonke amahoro mu mitima yacu, abantu bave mu mwiheburo, ni ngombwa ko itunga rusangi ricungerwa neza n'inzego zibijejwe, rigakoreshwa ku neza ya bose, abanyonozi bagasubiza ivyo bivye kandi bikamenyekana ko bafashe bagahanwa.

**III. Indamutso y'amahoro ni indamutso idutuma kuremesha amahoro n'umwizero.**

19. Bakristu dusangiye ukwemera, na mwe mwese Imana ikunda mukayikundira, n'uno musi Yezu Kristu arasubiriye kutubwira ati: "Nimugire amahoro!" Ni we kandi atubwira ati: "hariwe abaremesha amahoro, kuko bazokwitwa abana b'Imana"

Ko turiko turahimbaza Pasika, nidusubize itoto, niturushirizeho gukomeza igikorwa co kuremesha amahoro no gusubiza hamwe nk'abana b'Imana. Ico gikorwa na co kugira ngo kirame, gishingira k'ukuri, ubutungane, urukundo n'umwidegemvyo.

20. Dusabe rero Imana ibandanye ituba hafi mu bihe vyiza no mu bihe bigoye, itugire intwari mu kuremesha amahoro mu ngo zacu mu kibano, mu gihugu cacu, mu bihugu bigize kano karere k'ibiyaga binini, eka no kw'isi yose.

21. Ntitwosozera tutabamenyesheje ko Umuvyeyi wacu Papa Fransisko azokwugurura icese umwaka wa Yubile y'imyaka 2025 ya Ekleziya kw'igenekerezo ry' 9 Rusama 2024.

None turabatumiriye mwese kwinjira neza muri iyo Yubile no kuyihimbaza mu mwizero ukomoka ku ntsinzi ya Kristu Umwami w'amahoro.

22. Bikira Mariya Umugabekazi w'amahoro twaragije Uburundi, natubere mu ngoro, maze inema y'Umukama wacu Yezu Kristu, urukundo rwa Mana Data n'ingabirano ya Mutima Mweranda bihorane natwe muri ibi bihe vyose twimirije.

*Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 21 ntwarante 2024.*

Abepiskopi banyu:

**Musenyeri Bonaventure Nahimana**, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Gitega, akaba n'icariho ca Papa muri Diyoseze ya Rutana, n'Umuyobozi w'Inama y'Abepiskopi Katolika mu Burundi, CECAB;

**Musenyeri Salvator Niciteretse,** Umwepiskopi wa Diyoseze ya Bururi akaba n'icegera c'Umuyobozi w'Inama y'Abepiskopi Katolika mu Burundi, CECAB;

**Musenyeri Gervais Banshimiyubusa,** Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura;

**Musenyeri Joachim Ntahondereye,** Umwepiskopi wa Diyoseze ya Muyinga;

**Musenyeri Blaise Nzeyimana,** Umwepiskopi wa Diyoseze ya Ruyigi;

**Musenyeri Georges Bizimana,** Umwepiskopi wa Diyoseze ya Ngozi akaba n'icariho ca Papa muri Diyoseze ya Bubanza.

***Ndongozi y'Uburundi***